VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

# Umugirwa wo kwubakana biciye mu mategeko muri Reta ya Vermont

## Ibibazo hamwe n'inyishu wokwisunga mu gutegura ubukwe bwawe muri Reta ya Vermont

1. **Muri Reta ya Vermont, mbega ni bande bemerewe kwubakana biciye mu mategeko?**

   Muri Reta ya Vermont, abantu babiri bakwije n'imiburiburi imyaka 18 y'amavuko umwe umwe barashobora kwubakana biciye mu mategeko.

2. **Hoba hari ibishobora kubera intambamyi abipfuza kwubakana imbere y'amategeko?**

   Amategeko arategekanya ko umuntu uwo ariwe wese atararonka umwidegemvyo ni ukuvuga akirezwe n'uwundi muntu mu buryo bwemewe n'amategeko, adashobora kwubaka urwiwe mu gihe ata ruhusha mu buryo bwanditse rwatanzwe n'uwumureze rubimwemerera ruhari. Muri Reta ya Vermont kandi kirabujijwe ko abantu bafitaniye isano rya hafi mu vy'imiryango bubakana. Ivyo bisigura ko udashobora kwubakana n'umuvyeyi, nyokuru canke sokuru, mushikawe, musazawe, umwana wawe, umwuzukuru, umwishwa, umuhungu wa mushikawe, nyokwanyu canke sowanyu. Mu gihe umwe muri mwebwe asanzwe yubakanye n'uwundi muntu, canke mu gihe umwe muri mwebwe ari mu masezerano y'ukwubakana biciye mu mategeko hamwe n'uwundi muntu naho nyene ukwo kwubakana kurabujijwe. Itegeko risaba ko impande zose zibanza kubihurizako.

3. **Ku bijanye n'ubukwe, hoba hakenewe uruhusha? Mbega birakewe ko harinda gukorwa ibipimo vy'amaraso?**

   Egome cane, uretse ibipimo vy'amaraso, uruhusha rurakenewe, kandi ivyo bimaze gutungana nta gihe co kurindirizwa giheza ngo kibeho.

4. **None uruhusha ruduha uburenganzira bwo kwubakana tworukura hehe?**

   Urashobora kuronswa uruhusha mu gihe umunyamabanga wo mu buyobozi bw'igisagara ico arico cose muri Reta ya Vermont/ku mwandit kandi ukaruronswa ku mafaranaga y'amanyamerika mirongo umunanani ($80). Urwo ruhusha rufise agaciro mu kiringo c'imisi 60 uhereye igenekerezo rutangiweko. Muri ico kiringo ubukwe bwanyu buraheza bukaba buhagarikiwe n'uwubijejwe kandi abifitiye uburenganzira — birenze ico gihe urwo ruhusha nta gaciro ruba rugifise.

5. **Mbega kugira turonke uruhusha rwo kwubakana biciye mu mategeko dusabwa gutanga amakuru ayahe?**

   Iruhande y'amakuru shingiro akwerekeye (amazina, igisagara ubamwo, ibibanza hamwe n'amatariki vy'amavuko), ibindi mutegerezwa gutanga ni amazina y'abavyeyi, harimwo n'amazina ya ba nyoko (ayo bitwa batarubaka urwabo), hamwe naho bavukiye. Impapuro zanyu z'amavuko zirashobora gutanga ibitari bike ku bijanye n'aya makuru. Uzosabwa kandi gutanga igitigiri c'abo mwubakanye bose n'incuro wagiye uragira ubukwe haba muri Reta canke mw'ishangaro. Uravuga n'ukugene vyagenze kugira mwahukane n'igihe mwahukaniyeko. Aya makuru ni amakuru yawe y'ibanga bwite kandi ntaja ku rwete rwemeza ubugeni. Amategeko muri Reta ya Vermont asaba <u>impande</u> zose gushira umukono ku rwandiko rwemeza ko amakuru mwatanze ari ay'ukuri. Umunyamabanga w'igisagara arasuzuma urwo rwandiko kugira yemeze ko amakuru yatanzwe yerekana ko ata ntambamyi n'imwe ibabuza kwubaka urwanyu muri Reta ya Vermont kandi ko mwese mwashize umukono kuri urwo rwandiko. Umunyamabanga w'igisagara aca atanga icemezo mu gihe n'imiburiburi umwe umwe wese muri mwebwe yashize umukono kuri ico cemezo imbere y'umunyamabanga w'igisagara.

6. **Bigenda gute mu gihe umwe muri twebwe yigeze kwubaka urwiwe canke akubaka mu buryo bwemewe n'amategeko?**

   Mu gihe umugabo wawe, umugore wawe canke uwo mwubakanye mu buryo bwemewe n'amategeko yitavye Imana, urafise uburenganzira bwo kwubakana n'uwundi. Umunyamabanga w'igisagara arakubaza igenekerezo uwo mwari mwubakanye canke uwo mwari kumwe mu buryo bwemewe n'amategeko yitabiye Imana. Mu gihe wahukanye, urashobora kwongera kwubaka urwawe inyuma y'itariki ubukwe bwawe buheruka canke ukwubaka biciye mu mategeko vyatesherejwe agaciro biciye mu mategeko. Mu gihe musanzwe mubana mu buryo bwemewe n'amategeko, muba mwemerewe kwubakana.

7. **Icemezo kirashobora gutangwa biciye mw'iposita? Turashobora kwubakana biciye mu kurungika icemeza?**

   Oya. Icemezo co kwubakana ntigishobora gutangwa biciye mw'iposita, kandi ntushobora kwubaka urwawe biciye mu kurungika icemezo.

8. **Ni hehe twoshobora gushingirwa imbere y'amategeko?**

   Mu gihe ufise icemezo kitarata igihe c'i Vermont, urashobora kwubaka urwawe aho ariho hose i Vermont, ariko muri Vermont gusa.

**9. Ninde ashobora kudushingira? Turakeneye ivyabona?**

Ubutungane bwa sentare nkuru, umucamanza mukuru wa sentare, umucamanza w'akarere, umucamanza ajejwe ibijanye n'ubutunzi bwasizwe nk'iragi, icegera c'umucamanza, umucamanza ajejwe ingorane nto zo mu kibano hamwe no gushingira canke umuntu yabiherewe uburenganzira na ekereziya aba muri Vermont arashobora kubashingira mu birori vy'ubukwe bwanyu. Uwuserukira idini muri reta tubana canke igihugu arashobora kubashingira mu gihe isengero ryiwe, sinagoga, umusigiti, canke irindi sengero riba ryose canke igice caryo muri Vermont. Uwuserukira idini aba muri zimwe muri reta canke muri Canada arashobora kugushingira mu gihe abanje kubironkera uruhusha rudasanzwe rwa sentare y'akarere aho ubwo bukwe buzobera. Ikindi, umuntu uwo ariwe wese ari hejuru y'imyaka 18 ategerezwa kwiyandikisha ku munyamabanga wa reta kugira yemererwe ugushingira vy'igihe gito. Umuntu yujuje ifishe yo kwiyandikisha kandi yarishe amadorari $100 yo kwiyandikisha azoronswa seritifika imwemerera kuraganisha mu bukwe mu buryo bwagenwe i Vermont. Ububasha bwo kuraganisha mu birori vy'ubukwe bw'uwo muntu buzotera igihe rimwe n'icemezo kibimwemerera. Ku yandi makuru yo kwiyandikisha kwemererwa kuraganisha vy'igihe gito ja ku rubuga https://sos.vermont.gov/ canke wakure kuri 802-828-2363. Amategeko y'i Vermont ntasaba ivyabona, ariko mu gihe uriko urategura ibirori vyo mw'isengero, baza neza kugira umenye nimba amabwirizwa y'isengero asaba ivyabona.

**10. Ni iki twokoresha icemezo? Twogikoza iki inyuma y'ibirori?**

Biciye mu mategeko, mwembimutegerezwa gutera igikumu ku cemezo hanyuma mugaha ico cemezo umuntu agiye kubashingira imbere yuko ibirori vyo kubashingira biba. Inyuma y'ibirori, umuntu ajejwe kubashingira (umukuru w'ibirori) azokwuzuza uduce twerekeye amagenekerezo, ikibanza hamwe n'amakuru y'ibirori, hanyuma atere igikumu ku cemezo canyu. Kuva uwo mwanya, ico cemezo kiba kibaye seritifica y'ukwubakana. Uwabashingiye ategerezwa kugarukana iyo seritifika ku biro vy'umwanditsi w'igisagara, kugira uko gushingirwa kwanyu kwandikwe mu buryo buzwi n'amategeko. Mu gihe uwabashingiye yiyandikishije ku munyamabanga wa reta nk'uwugiye gushingira mu buryo bw'igihe gito, ikopi ya seritifika y'uruhusha rubimwemerera itangwa n'umunyamabanga wa reta itegerezwa gushirwa ku mugereka wa seritifika iteyeko igikumu hanyuma ikagarukanwa ku biro vy'umwanditsi w'igisagara.

**11.Ni gute tworonka ikopi ya seritifika yo kwubakana kwacu?**

Ukimara kugura icemezo co kwubakana, urashobora kuvugana n'umwanditsi w'igisagara kugira akurungikire mw'iposita ikopi ya seritifika yawe iteyeko igikumu inyuma yuko ugushingirwa kwanyu kumaze kwandikwa. Ikiguzi ni amadorari $10 kuri buri kopi iteweko igikumu hamwe n'amadorare $80 yo kugura icemezo ($10 + $80 = $90). Indwi zibiri canke zirenga inyuma y'ibirori, urashobora gusaba, imbona nkubone canke mu buryo bwanditse, ikopi zinyongera ku biro vy' umwanditsi w'igisagara aho wakuye icemezo cawe kuri y'amadorare nyene $10. Indwi zitandatu canke zirenga inyuma y'ibirori vyawe, urashobora gusaba, imbona nkubone canke mu buryo bwanditse, ikopi iteweko igikumu ivuye mu gisata kijejwe amagara y'abantu i Vermont, mu biro bijejwe kubika amakuru ku madorari $10. Mu buryo ubwo aribwo bwose, uzoronswa ikopi ya seritifika y'ukuri, iriko ikidodo c'igisagara, iteyeko igikumu kandi yashizweko igenekerezo n'umukozi abijejwe.

*Bisubiwemwo muri Mukakaro 1, 2023*